INAMA
NKENGUZAMATEKA

Adresse : Avenue du Peuple Murundi
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le 23. /11/ 2022

N. Réf : SNB/CP/...../2022

COMMISSION SPECIALE CHARGEE DU SUIVI DES RECOMMANDATIONS FORMULEES PAR LE SENAT ET DU RECUEIL DES DOLEANCES DE LA POPULATION.

A son Excellence Très Honorable
Président du Sénat
à
GITEGA

Objet : Transmission de rapports

Très Honorable Président,

J'ai l'honneur de vous transmettre en annexe à la présente, le rapport d'activités de la Commission spéciale depuis la session parlementaire ordinaire d'août 2021 jusqu'à la session parlementaire ordinaire d'août 2022.

Vous en souhaitant bonne réception, je vous prie d'agréer, Très Honorable Président, l'assurance de ma très haute considération.

Le Président de la Commission spéciale

Hon. Jean Marie NIBIRANTIJE

Copie pour information :
-Hon. 1er Vice-président du Sénat ;
-Hon. 2ème Vice-président du Sénat ;
-Monsieur le Secrétaire Général du Sénat.

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le 13./12./ 2022

N. Réf : SNB/CP/...../2022

COMMISSION SPECIALE CHARGEE DU SUIVI DES RECOMMANDATIONS FORMULEES PAR LE SENAT ET DU RECUEIL DES DOLEANCES DE LA POPULATION

ICEGERANYO C'IVYAKOZWE N'UMUGWI UDASANZWE UJEJWE GUKURIKIRANA IVYASABWE N'INAMA NKENGUZAMATEKA KURI LETA Y'UBURUNDI HAMWE NO KWUMVIRIZA IBIBAZO VY'ABENEGIHUGU KUVA MU GIHE C'ISASA RISANZWE RYA MYANDAGARO 2021 GUSHIKA MW'ISASA RISANZWE RYA MYANDAGARO 2022

I. Ibikorwa vyo ku wa 1 nyakanga 2021

Umugwi udasanzwe warakoranye igenekerezo rya 1 nyakanga 2021, aho wari uramutse wiga ama dosiye y'abawituye kugira bayatondeke neza ku ntara ku ntara. Mu nyuma umugwi waciye utegura urutonde rw'ingene uzoshika ku rubuga ahari ibibazo, na cane cane uhereye mu ntara ya Gitega.

Mu ntara ya Gitega, Umugwi udasanzwe waciye utegura ko itariki 8 nyakanga uzogendera ku musozi Mushasha, aho abantu bawituye bafitaniye ikibazo c'amatongo na HATUNGIMANA Jean De Dieu ; iyo tariki nyene, uwo mugwi wateguye kuzogenda i Mweya kw'itongo rya NZOHABONIMANA Jean.

Umugwi udasanzwe warongeye urahamagara abawituye batandatu ubasaba kuzoshika aho ukorera igenekerezo rya 7 nyakanga 2021, kugira bawiganire ibibazo bafise nawo ugire intererano utanga.

II. Ibikorwa vyo ku wa 7 nyakanga 2021

Umugwi udasanzwe warasubiye urakorana igenekerezo rya 7 nyakanga 2021 kugira wumvirize abenegihugu bawituye. Humvirijwe amadosiye akurikira.

1. **Amatati ari hagati ya NIBIZI Perpétue hamwe na MBAYAHAGA Spès**

NIBIZI Perpétue ava ku mutumba Bigumbasha, komine Makebuko, intara ya Gitega. Yari yubakanye na Marius nawe akaba yari asanzwe ari umudandaza mu gisagara ca Gitega. Marius yari afise kandi umuhabara yitwa MBAYAHAGA Spès mu Kumoso, intara ya Ruyigi, aho yari yarahungiye kubera urwimo rwo mu 1993 akaba kandi ari uwo muhabara wa Marius afitaniye amatati na NIBIZI Perpétue.

Nk'uko bivugwa na Perpétue, Marius yaragwaye hanyuma aragaruka kugwarira i Gitega ariko we n'abana biwe bagiye kumusuhuza, umuhabara yaca amubanyegeza bakagenda batamubonye gushika aho yitaba Imana mu mwaka wa 2016.

NIBIZI Perpétue yituye umugwi udasanzwe, yawumenyesheje ko amatungo yose umugabo wiwe yari afise aha i Gitega no mu kumoso (Ruyigi) yaba amatongo canke ibindi, vyose vyigaruriwe n'umuhabara MBAYAHAGA Spès, nawe n'abana Marius yamusigiye akaba ataco baronka. Yarongeyeko ko na parcelle iri ngaha i Gitega muri quartier yoba iguma ifasha uwo muhabara we nyene.

Mu kurangiza, NIBIZI Perpétue yamenyesheje umugwi udasanzwe ko hari urubanza rw'ivyaha RPA 2537 ruri muri sentare nkuru isubiramwo imanza ya Gitega kandi ko kubijanye n'amatongo ari mu Ruyigi, urubanza rugeze imbere ya Sentare Nkuru y'Igihugu ya Ruyigi inyuma yaho adashimye urubanza rwaciwe na Sentare y'intango ya Nyabitsinda.

Kuri ico kibazo ca NIBIZI Perpétue, umugwi udasanzwe washinze ko uzokwishikira ku rubuga kugira wirabire neza uko biriko biragenda mu ma sentare, wongere ufashe ntihazogire uwurenganywa.

2. **Dosiye ya MVUYEKURE Béatrice**

MVUYEKURE Béatrice yarandikiye Inama Nkenguzamateka kandi ikibazo ciwe umugwi udasanzwe ukaba wasanze cari caramaze kwigwa n'abakozi bo mu biro vya Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'inyishu akaba yarayishikirijwe.

Ariko mu mugwi udasanzwe bakaba barihweje ivyo ashikiriza n'impapuro afise basanga inyishu yari yahawe ariyo n'umugwi womuha hamwe wosubira ukiga ikibazo ciwe. Iyo nyishu nayo n'uko MVUYEKURE Béatrice yotumbera Sentare Ntahinyuzwa y'Uburundi kugira amenye neza intambwe urubanza rwiwe rugezeko. Urwo narwo rukaba rwanditse ku nimero RCC 30737.

3. **Amatati ari hagati ya NTAHOMVUKIYE Frédéric na Honorable GASUNZU Pascal**

NTAHOMVUKIYE Frédéric ava ku musozi Nyangwe, komine n'intara ya Kayanza. Nk'uko abivuga, Frédéric asanzwe ari umudandaza haciye imyaka 15, afitaniye

amatati na Honorable GASUNZU Pascal, Umukenguzamateka yatowe muri iyo ntara nyene.

Frédéric yamenyesheje umugwi udasanzwe ko yari afise ishirahamwe ryitwa SO.CO.I akaba ari naryo yakoreramwo urudandaza rwiwe kandi agakorera mu Burundi. Buke buke rumaze gutera imbere yaciye atangura gukorera hanze y'igihugu, mu Bushinwa mu mwaka wa 2014.

Mu mwaka wa 2018, abashinwa bakorana barizeye ishirahamwe ryiwe baca bamusaba gukorera mu bihugu bigera kuri bine vyo muri afrika. Abashinwa ngo baramusavye ingwati baca baragiriranira amasezerano kugira azobe ariwe abaserukira muri ivyo bihugu bine (4).

Muri ico gihe cose Frédéric avuga ko yakorana n'ibanki BBCI ariko amaze kuronka ayo masezerano akayazana mu Burundi yaciye aronka abagenzi bakorana aribo NIYONSABA Sylvestre na Honorable GASUNZU Pascal. Haciye imisi ngo Honorable GASUNZU Pascal yaciye amusaba ko yokuramwo NIYONSABA Sylvestre arateba aramukuramwo baca basigara ari babiri.

Frédéric abandanya avuga ko yasavye amahera Honorable GASUNZU Pascal kugira bakore ivyo biyemeje nawe aca amubwira ko ata mahera afise ariko ko Frédéric yoja gusaba ingurane muri banki. Amubwiye ko ariwe yoja kuyasaba kugira bakore, Honorable GASUNZU Pascal yaciye amwishura ko kubera atagira akazi ata banki yokwemera kumugurana.

Mu nyuma ngo baciye bumvikana ko boja hamwe bakaja gusaba ingurane muri banki kandi ngo biciye ku zina ry'ishirahamwe rya Frédéric, SO.CO.I, barashoboye kuronka ingurane muri banki Finbank. Frédéric yaciye avuga ko yuguruje compte muri Finbank mugabo atashoboye kuronka chéquiers ziwe kuko banki yamubwiye ko bazihaye Honorable GASUNZU Pascal. Yaciye yongerako ko hageze kuja gutora amahera muri Finibank, Honorable GASUNZU yazana chèque isanzwe nta chéquier yigera azana.

Frédéric abandanya avuga ko yari yatumyeko amakontenere mu Bushinwa. Mu nyuma ngo Honorable GASUNZU yaciye atumako umugore wa Frédéric bari basangiye ishirahamwe SO.CO.I amubwira ko, batagiye muri API ngo umugabo wiwe ariwe Frédéric amwandikishe nawe muri bene ishirahamwe, bitazokunda ko urudandazwa rubandanya. Izo kontenere zishitse ngo bazipakururiye mu bubiko bwa Honorable GASUNZU Pascal bwari buri muri quartier industriel akaba ari nawe yagumije imfunguruzo z'ububiko mu gihe Frédéric yakorera hagati mu gisagara ca Bujumbura.

Ayo Frédéric yadandaje mu gisagara ca Bujumbura avuga ko umugore wiwe yaca ayatwara muri Finbank kuri compte bari basabiyeko ideni. Ariko abandanya avuga ko

hageze igihe abakozi bakamubwira ko umugore wa Honorable GASUNZU atigera atwara amahera badandaje kuri iyo compte basabiyeko ideni ariko ayatwara mu yandi ma banki.

Frédéric abandanya avuga ko amaze kumenya ko ibidandazwa vyari muri za kontenere bitagikwiye, Honorable GASUNZU yaciye amuha chèque iriko imiliyoni 50 kugira ashobore kugarura ibidandazwa bataramenya irengero ryavyo. Ariko ngo kiretse ayo yamuhaye yaratohoje aramenya ko hariho ayandi arenga imiliyoni 70 famille Honorable GASUNZU yashize muri BANCOBU. Frédéric asubira akavuga ko bitanguye gutera impari, Honorable GASUNZU yaciye avuga ko agira agurishe vyose ashobore kuriha Finbank nayo imusubize Titre de propriété yiwe. Frédéric akavuga ko Honorable GASUNZU naho yadandaza ata ruhera na rumwe yashira muri Finbank kandi amahera yose bakoresha muri ico gihe yari ingurane ya Finbank hamwe n'umutahe wa NTAHOMVUKIYE Frédéric.

Ngo Finbank imaze kubona ko batariko bayiriha neza yaciye ihagarika ama compptes yose ya Frédéric hamwe n'ivyo bidandazwa vyari bisigaye vyose ica igirako ifata imfunguruzo zose z'ububiko irazitwara irazigumana.

Frédéric avuga ko yasavye Finbank ko yobwira Honorable GASUNZU Pascal akuguruza compte yiwe boshirako iryo deni kuko ibidandazwa vyari mu bubiko iwe ariwe yagumye abidandaza hama nawe bakamureka, ariko Finbank ngo ntavyo yigeze ikora. Mu nyuma ngo Honorable GASUNZU yaciye ashingisha urubanza muri sentare y'ubudandaji igirako iraruca atavyo yigeze amenyeshwa, aho sentare yavuze ko ihagaritse ishirahamwe rya Frédéric ariryo SO.CO.I kugira ngo hagume hadandaza ishirahamwe rya Honorable GASUNZU Pascal ryitwa Gaspas Company.

Ariko Frédéric abandanya avuga ko amaze kubimenya ko ashaka kurenganywa yaciye yitura igipolisi c'inyamiramabi aho hageze aho bagiriranira amasezerano na Honorable GASUNZU yuko agiye kumusubiza ibidandazwa vyiwe vyose biri mu bubiko kugira ace aja gutora Titre de propriété yiwe iri muri Finbank gutyo Frédéric ace atwarayo iyiwe kugira ashobore kuguma adandaza. Igitangaje ngo n'uko mu nyuma Honorable GASUNZU yanse ko baja mu bubiko kuraba ibidandazwa biriyo kuko yari azi ko vyinshi yamaze kubigurisha aterekana iyo yashize amahera yavuyemwo.

Frédéric abandanya avuga ko igihe yanse ko ayo masezerano ya mbere aja mu ngiro baciye bitura Umushikirizamanza Kizigenza wa Republika aho ahejeje kubumviriza baciye bagira ayandi masezerano mashasha avuga ko Frédéric azoza aratora amakarato y'ibidandazwa 50 mu gihe agiye mu bubiko. Ariko ngo agiyeyo kabiri n'ukuvuga amaze gutora amakarato 100 y'ibidandazwa, Honorable GASUNZU yaciye yihindukiza mw'ijambo aho yavuze ko atawuzosubira guhonyoza ikirenge mu bubiko bwiwe.

6

Inyuma yo kwanka ishigwa mu ngiro ry'ayo masezerano agira kabiri, Frédéric avuga ko mu gipolisi c'inyamiramabi baciye bafata ingingo yo kuja kuraba ku nguvu uko ibintu vyifashe muri ubwo bubiko.

Bashitseyo ngo basanze ibintu bitari bike vyo mu ma kontenere agera kuri 6 vyaramaze kugurishwa kandi zose hamwe zari 10. Yamenyesheje ko kontenere imwe yaba irimwo amakarato 50.

Ivyo bibaye Frédéric avuga ko yaciye asubira muri sentare y'ubudandaji gusaba impanuro aho umukuru wa sentare yahanuye Frédéric, Honorable GASUNZU na Finbank bari kumwe bose ko bosubiza ibidandazwa Frédéric kugira abidandaze ashobore kuriha Finbank. Izo mpanuro z'umukuru wa sentare y'ubudandaji ataco zitanze ngo baciye baja mu biro bikuru bijejwe iperereza (service national de renseignements) aho ngo hafashwe ingingo y'uko container 4 zari zisigaye boziha ishirahamwe SO.CO.I ikazidandaza, amahera avuyemwo akaja kuri compte iri muri Finbank.

Frédéric avuga ko izo kontenere 4 yazidandaje amahera avuyemwo uko angana n'imiliyoni 600 yose yayashize kuri compte iri muri Finbank ariko ayavuye mu ma kontenere ashika kuri 4 yaramaze kudandazwa na Honorable GASUNZU nta rufaranga rwigeze rushika kuri iyo compte iri muri Finbank.

Frédéric avuga ko kugira abandanye urudandazwa yaciye yegera ibanki BBCI nayo ica imuha ingurane y'imiliyoni 300. Yabandanije avuga ko Honorable GASUNZU na Finbank babimenye ko yaronse ingurane baciye basubira kumwitwarira muri sentare y'ubudandaji ariko irabahebuza mu rubanza rw'imfatakibanza (jugement avant dire droit) yaciye. Nk'uko biguma bivugwa na Frédéric, ngo Honorable GASUNZU na Finbank, bahejeje kwungurunza urubanza mfatakibanza rwaciwe na sentare y'ubudandaji, baciye bihereranya umukuru wa sentare nkuru isubiramwo imanza ya MUKAZA kugira azobafashe mu kuvuguruza urwaciwe na sentare y'ubudandaji.

Sentare nkuru isubiramwo imanza ya MUKAZA ikaba yaciye ica urubanza mfatakibanza aho yavuguruje urwaciwe na sentare y'ubudandaji mu kuvuga ko ubutunzi bwose bwa NTAHOMVUKIYE Frédéric bwofatwa kugira bashobore kuriha ideni afise muri Finbank. Inyuma yaho Frédéric avuga ko yaciye yitura umukuru wa sentare ntahinyuzwa nawe ahejeje kubumviriza yaciye abarungika kubandanya urubanza rwabo muri sentare y'ubudandaji basanzwe bararushinzemwo kugira ice irwumviriza mw'ido n'ido.

Frédéric avuga ko Honorable GASUNZU adashimye inyishu bahawe n'umukuru wa sentare ntahinyuzwa yaciye yitura umushikirangaji ariko ngo nawe nyene nta birebire yaruvuzeko ngo kuko yari amaze gusa n'uwumenya uko dosiye yifashe kubera yari imaze guca imbere y'inzego nyinshi mu gihugu.

NTAHOMVUKIYE Frédéric akaba yarangije ibirego vyiwe asaba umugwi udasanzwe wo mu Nama Nkenguzamateka ko womutabariza mu nzego zagiye zirumviriza amatati afitaniye na Honorable GASUNZU Pascal kugira ashobore kuronka utwiwe abandanye urudandazwa yari asanzwe akora kuko ariko ararenganywa.

Mu mugwi udasanzwe barindiriye kuzokwumviriza Honorable GASUNZU Pascal, hama bace babahuza bose bahinyuzanye imbere yuko bogira ico biyumviriye gukora.

4. <u>Amatati ari hagati ya MBABAREMPORE Célestin hamwe n'ikigo ca ISTEEBU asanzwe akorera.</u>

MBABAREMPORE Célestin ni umukozi w'ikigo kijejwe gutororokanya no gushirahabona ibiharuro Mfatirwako na ndangashusho arico ISTEEBU

MBABAREMPORE Celestin yari asanzwe ari umukozi wico kigo, kuva kw'igenekerezo rya 26 ruheshi 2014. Kw' igenekerezo rya 10 kigarama 2018 niho MBABAREMPORE Céléstin yasaba guhagarika akazi vy'agateganyo (mise en disponibilité) y'ikiringo c'imyaka ibiri kugira ngo ashobore kuja kwiga mu gihugu ca Cameroun mw' ishure ryitwa IFORD kuko yari yakoze ikibazo kimuha uburenganzira bwo kuja kwiga ibijanye n'igwirirana ry'abantu atako aragitora.

Ukwo guhagarika akazi yari yakurekuriwe n'umuyobozi mukuru w' ikigo ISTEEBU NDAYISHIMIYE Nicolas yisunze ingingo ya 78 n'iya 79 z'itegeko rigenga abakozi b'ikigo ISTEEBU.

MBABAREMPORE Céléstin ahejeje ivyigwa yaragarutse mu gihugu c'amavukiro nkuko mbere yari yaravyiyemeje imbere yo kuja kwiga. Yaciye asaba gusubizwa mu kazi hanyuma umuyobozi mukuru w' ikigo ISTEBEU arabimwemerera aca amusaba ko yotonda ku mirimo yiwe i Gitega ari naho yari yagiye kwiga ava. Yategerezwa rero guca atonda ku kazi kw'igenekerezo rya 26 nzero 2021

Iryo baruwa ry'umuyobozi mukuru wa ISTEEBU ryaratomora neza ko MBABAREMPORE Céléstin ashikira aho yari ageze mu bijanye n'amapete y'akazi, eka mbere ko n'umushahara w'ibanze (salaire de base) ari uwo yagiye kwiga agezeko.

Ingorane za MBABAREMPORE Célestin rero aho zihagaze ni uko umuyobozi mukuru w'ikigo ISTEEBU Nicolas NDAYISHIMIYE yanse kwemera iyo mpamyabushobozi nshasha ya Master yatahukanye akuye muri IFORD, mu gihe avuga ko yarungitswe kwiga n'ikigo ISTEBU akabona ko ari akareganyo kadasanzwe.

MBABAREMPORE Céléstin yagumye rero ataka atakamba asaba ko abantu bose babishoboye bofasha kugira ngo umuyobozi mukuru wa ISTEEBU akore ico yise kumurenganura mu kwemera iyo mpamyabushobozi yiwe ya Master. Niko rero kwitura uyu murwi wo mu Nama Nkenguzamateka muvyo ujejwe harimwo kwumviriza ingorane z'abenegihugu.

Eka ntiyagarukirije aho yarituye n'umushikiranganji w' ikigega ca Reta no gufashanya mu bijanye n'iterambere, kubera ko ikigo ISTEEBU gikukira ubushikiranganji arongoye. Uwo mutegetsi yishuye MBABAREMPORE Céléstin ko yorindira ico urwego nshingwantwaro rw'ikigo ISTEEBU ruzoshikiriza ku bijanye nico kibazo. Ugwo rwego nagwo mu nama ruheruka kugira rwavuze ko hamwe ikigo ISTEEBU cokenera guha akazi abakozi bafise impamyabushobozi ya Master, MBABAREMPORE Céléstin yoheza agakora ikibazo mu bandi. Ariko rero naho biri uko aguma yipfuza guhabwa umubonano n'umushikiranganji muvyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta kugira ngo amusigurire neza ikibazo ciwe amaso mu yandi umukuru w'umurwi akaba yaremeye kuzobimufashamwo.

5. Amatati ari hagati ya MUNYANGORI Thomas n'abasigwa ba MPFAYOKURERA Joseph bo mu ntara ya Karusi

MUNYANGORI Thomas yari umugenduzi w'amashure matomato muri commune ya Gihogazi mu ntara ya karusi. Mu magume yo mu 1993, yagirije MPFAYOKURERA Joseph ko yamusahuye amabati 51. Harabaye imburano hagati yabo bagabo babiri guhera muri Sentare y'intango ya Gihogazi guca muri sentare nkuru y'igihugu ya Karusi gushika no muri sentare y'iyungururizo i Gitega. Aho hose MUNYANGORI Thomas yagumye atsinda uwo baburana ariwe MPFAYOKURERA Joseph. Urwaciwe ni uko uwatsinze yohabwa igisata c'itongo kingana na metero 200 z'uburebure kuri metero 15 z'ubwaguke gurtyo ikaba indishi yayo mabati 51. Ahari ingorane rero uno munsi ni mw'ishirwa mu ngiro ry'urwo rubanza. Abasirwa ba MPFAYOKURERA Joseph bararahira bakarengwa ko imbere yuko MUNYANGORI Thomas ashikira aho hantu azobanza kubatambuka umuvyimba. Ivyo NSHIMIRIMANA Balthazar umwe mu basirwa ba MPFAYOKURERA Joseph akaba yarabivugiye imbere y'umurwi. Ku bwiwe ngo boba banyazwe kandi ngo ntaho vyoba bitaniye no kwomorwa.

Umurwi wiyemeje kuzoshika ku rubuga kugira ngo wirabire uko ibintu vyifashe.

6. Amatati ari hagati ya Gahungu Mathias hamwe n'imiryango ya MUYIBIGI Salvator, NYAMBARIZA Astère, FASHAKO Fabien na KARERWA

Hari kw'igenekerezo rya 7/09/2021, aho uwitwa Gahungu Mathias yitura uwo murwi. Avuga ko abitwa MUYIBIGI Salvator, NYAMBARIZA Astère, FASHAKO Fabien na KARERWA yabaguriye itongo riri mu gacimbiri Cewe , umutumba wa Gitaramuka , komine Bisoro intara ya Mwaro. Yiganiye uwu murwi ko abo yaguriye baciye barigurisha n'uwundi muntu.Mathias yasanze uwo muntu aguma amucira ibiti

mw'itongo yiguriye. Nico catumye amatati aca avyuka, hanyuma baciye baja mu butungane kugera muri Sentare isubiramwo imanza ya Muha; aho impapuro zerekana ko Mathias yahatsindiye. Kubera ko urwo rubanza rutigeze rukurikizwa , nico catumye Gahungu Mathias yitura uyu murwi udasanzwe w'INAMA NKENGUZAMATEKA kugira ubimufashemwo.

Baramwumvirije bihagije, baca bategura ikirangamisi co kuja aho vyabereye kuganira nabo vyega bose.

III. Umugwi udasanzwe waragendeye bamwe mu bawituye kw'igenekerezo ry'uwa 8 nyakanga 2021.

1. Amatati ari hagati y'imiryango iri ku musozi wa Mushasha hamwe n'umushingantahe HATUNGIMANA Jean de Dieu.

Mu ntumbero yo kwihweza no gutohoza ku matati ahuza umugwi w'imiryango 15 y'abenegihugu baba ku mutumba Mushasha bafitaniye amatati yitongo n'umushingantahe **HATUNGIMANA Jean de DIEU.** Aho uwo mushingantahe yavugako ariko agaruza itongo rya MIRUMBA Hugo ariwe se wiwe, ngo ryanyanzwe muri 1972.

Umugwi udasanzwe w'inama nkenguzamateka waragendye abenegihugu bo ku mutumba wa Mushasha kugirango umenye vy'ukuri umuzi wizo ngorane ziri hagati yabo bantu twavuze.

Twobamenyesha ko mu ntumbero kandi yamatohoza, umugwi w'Inama Nkenguzamateka wari waratumiye abaserukira Diyoseze Nkuru ya Gitega mugihe abo bantu bataka batakamba ko aho hantu baharonse baguze n'umushingantahe **MPITABAVUMA Jean** nawe akaba yari yahahawe na Diyoseze Nkuru ya GITEGA.

Kandi abaserukiye iyo Diyoseze Nkuru bakaba baramenyesheje ko hako umushingantahe HATUNGIMANA Jean de Dieu yokwitwarira abo bene gihugu yarakwiye kwitwarira Diyoseze Nkuru kuko aho hantu arahabo kandi bahafitiye n'ivyangombwa.

Hakaba rero mur'iyo miryango harabaguye mugahundwe babonye umushingantahe **HATUNGIMANA Jean de Dieu** yaciye yigarurira nayandi matongo yose yari yegereye itongo rya **MPITABAVUMA Jean** avugako hose hari iwabo.

Umugwi umaze gushika aho amatati ahereye warashoboye kubaza abatari bake bo murako karere hama usanga muvy'ukuri umushingantahe **HATUNGIMANA Jean de Dieu** atigeze aba kuruwo musozi nkuko we yavyivugiye, kuko abantu bahabaye guhera 1967 bemezako aho hantu atahabaye. Kandi ngo n'abo yazanye bamusurira,

harimwo abasigne mu masezerano y'ubuguzi yabaye kandi ico gihe batigeze bavugako aho hantu hariko haragurishwa atari aho kwa MPITABAVUMA.

Tukabamenyesha ko urwo rubanza gwari gwaciwe muri sentare y'umugwi utatura imanza z'amatongo n'ayandi matungo mu gisata c'iyungururizo.

Umgwi umaze kumva ivyo vyose bivugwa kurayo matati, waciye ufata ingingo yo kumviriza umushingantahe Jean de Dieu hamwe n'ugushika mu mugwi ujejwe imanza z'amatongo n'ayandi matungo.

2. Amatati ari hagati y'Umutama NZOHABONIMANA Jean nabo avugako bamutwaye amatungo.

Kw'igenekerezo nyene ry'uwa 8/09/2021 umugwi udasazwe wo mu Nama Nkenguzamateka warashitse ku mutumba wa Mweya kugirango wihweze neza ibishikirizwa n'umutama Yohani avugako hariho abigaruriye amatongo yiwe kandi akihari, aho ashikiriza ko yahungutse asanga igipande kimwe catwawe namwene nyina hamwe nibindi bipande abandi bigaruriye kandi atabazi.

Abagize umugwi udasazwe bamaze gushika ku'ruwo musozi wa Mweya bararondeye abarongoye intwaro hamwe nabandi batama bavuka murako gace barabumviriza, aho bagaragaje ko uwo mutama bamuzi kandi ko atabibazo bihari.

Kukijanye nigipande c'itongo avugako yari yaguriye mwene wabo amubwirako azomusubiza amahera, abo kuri ako gacimbiri bavugako batabizi narirya uwo mwene wabo yamaze kwitaba Imana.

Kukibazo naco aho ashikiriza ko ibindi bice bavyigaruriye, abaraho barashikirije ko ata tongo ry'uwo mutama bigaruriye ko abarikoreramwo barihabwa nibibondo vyiwe muntumbero yo kurima iryo tongo kubera uwo mutama ata nguvu zokurikorera agifise. Ahubwo ko abana baciye banamukotera inzu abamwo isonga hama bakaza baranamumenya mubindi bituma abaho.

Umugwi umaze guca irya nino ivyashikirijwe nabarongoye intwaro nababa ku mutumba wasanze ari ikibazo c'umuryango gusa kihari, bigaragara ko uwo mutama yabayeho afise ibintu yihereza ico ashatse, akababazwa rero n'ukuntu bomubegera kuvyiwe aho kumureka akaba ariwe avyikorera. Aho baciye bamuhanura ko ariko arasaza yoreka kwama ariko ariruka aniganira amatongo, kuko ntawuyatwaye, ni abana biwe bariko barayakurikirana ngo ntasibe, kuko n'ubundi ni ayabo, kandi ntaco akenera ngo bamwime.

3. Bigirindavyi Charles aserukira ishirahamwe « Réseau Burundi 2000 Plus » yitwarira umushingamateka Athanase Hatungimana alias Cokoroko

Kuwa 20/03/2013, iryo shirahamwe ryaguze parcelle muri quartier miroir n° 8479/c ku mafaranga 44.730.000 ; Hon. Hatungimana Athanase yarahihagiye, ahashira uruzitiro, aramanyurirako umuyobozi w'ishure ryegeranye niyo parcelle. Ishirahamwe ryaramwitwariye aranka kwitaba ngo yitwaje igihagararo afise.

Amatohoza umugwi wakoze yerekanye ko iyo parcelle ari iy'iryo shirahamwe.

Umugwi waciye wiyemeza gufasha iryo shirahamwe kugondoza uwo mushingamateka kugira ngo yitabe ubutungane maze urubanza rubandanye.

4. ITANGISHAKA Charles yitwarira uwurongoye Diocèse Anglicane y'I Bujumbura

Itangishaka Charles yitwarira Eglise anglicane yishuza imishahara ataronse, akabagiriza ko bamukuye mu kazi badakurikije amategeko.

Ariko Musenyeri nawe avuga ko ata mahera bamuheraniye, kuko batari kumuhemba baramaze kumukura.

Umugwi warabumvirije bose, usanga ni ikibazo kigoye cane. Wabasavye ko boja hamwe bakayaga kuko bari bakoranye igihe kitari gito, bageragеze bumvikane ingene botorera inyishu ico kibazo, "règlement à l'amiable"; kandi basa n'abavyemeye.

IV. Umugwi udasanzwe waragendeye abawituyi bo mu ntara ya Karusi ku magenekerezo ya 17-19 gitugutu 2022, urishikira kuri ayo matongo ari mu matati

1. Umuryango wa Nyakabeto

Uwo muryango uvuga ko utashubijwe itongo ryabo ryari ryahawe ishirahamwe SOGEA-SATOM kugirango rihakure amabuye yo kwubaka amabarabara, kandi bemeza ko ata muzibukiro bigeze baronka.

Umugwi wumvirije ivyiyumviro vya bamwe n'abandi, wahavuye wumviriza na Musitanteri wa komine Shombo. Yavuze ko umuzibukiro w'agataka watanzwe, umugwi uca umusaba ko yowuronderera impapuro zivyemeza, gutyo umugwi uzoce umenya ukuri aho kuri.

2. Umuryango wa Baregenyeza

Umwana wa Baregenyeza avuga ko baba mu nzu yabo mu cibitoke ca Bujumbura, ibarabara rya 12, inomero 3; muri 1972 se wiwe bamugandaguye, abana baca baduga kuba kwa Inakuru i Shombo. Bamaze gukura basanze iyo nzu yabo y'I Bujumbura barayibanyaze.

Baritwaye muri CNTB, urubanza ni RCTB 1169, ntiruracika, umugwi wemeye kumufasha gukurikirana urwo rubanza.

3. Umuryango wa Ibrahim I Buhiga

Uwo mushingantahe avuga ko se wiwe yasize abana bavuka ku bagore benshi. Amatungo yasize I Buhiga n'I Bujumbura ntaragaburwa kuko abasigwa batavyumvikanako. Bagataganzwa n'ukubona hari bamwe muri abo bana bagiye hamwe biha uburenganzira bwo kugurisha ama parcelles, kandi ba nyene kugura bakaba bariko barubaka ata camira.

Ibrahim rero yari yashinze urubanza I Bujumbura ngo nuko amatungo menshi ariyo ari. Umugwi waramwumvirije uca umuhanura ko yokwitwara i Karusi kuko ariho hari iyo parcelle iriko irubakwa. Ariko imbere ya vyose, bamuhanuye ko yobanza kugirisha opposition kugira bahagarike kubandanya kwubaka.

4. Abakozi bahora bakora muro SOGESTAL-SONICOFF bitwarira iryo shirahamwe

Abo bakozi bavuga ko birukanywe mu kazi ata indemnities de préavis et de licenciement, akaba yanka no kubaha attestation des services rendus kugira bitaratarize ahandi. Bavuga kandi yuko bagikora ata avancement administratif ou pécuniaire bigeze baronka.

Umugwi wabemereye ko ugiye kugira amatohoza neza, ukabaza n'umukoresha uko vyagenze.

5. Umushingantahe Gasore i Nyabikere

Uyo Gasore yavukiye kw'itongo kwa sekuru kandi ntazi se wiwe. Yemeza ko sekuru yapfuye amuraze akamunganisha na ba inarume.

Ba inarume baragurishije amatongo amwamwe ; yaraburanije abahaguze arabatsinda kuko avuga ko batari bwagabure neza, agiye kuharima baramwankira.

Umugwi wabasavye ko bosubira kuhateranya, bakabura neza, hama uwari yaragurishije, agaca amenyana n'uwamuguriye, akamutunganiriza, kandi bose baravyemeye.

6. NSHIMIRIMANA Balthazar aserukira umuryango w'umuhisi Mpfayokurera Joseph yitwarira Munyangori Thomas

Munyangori Thomas avuga ko Mpfayokurera Joseph yamwivye amabati 51 mu rwimo rwa 1994. Yaraburanije abasigwa biwe, arabatsinda. Babuze amahera yo kuriha ayo mabati, sentare isaba ko bomuha igipande c'itongo. Babonye ko barenganijwe barunguruza ariko hemezwa urwari rwaciwe. Agiye kuharima bararahira ngo bopfuma bapfa baca bitura umugwi.

Umugwi warashoboye kubumvikanisha bitoroshe baragiriranira amasezerano : Munyangori yemera gusubizwa amabati 51 no guhagarika imanza zose zoturuka kuri ayo matati ; abasigwa ba Mpfayokurera Joseph bemera gutanga ayo mabati.

Gusozera

Twomenyesha ko hari amadosiye twari twarize imbere y'amasasa ari muri iki cegeranyo ; umugwi wabandanije uyakurikirana, hariho ayamaze gutorerwa inyishu. Aha twovuga nk'amatati yari hagati ya Gapenda Léonard wo mu kamnge n'abasigwa ba Phocas Bakasa.

Gapenda yari yabikije imiduga ine Bakasa, uyu amaze kwitaba Imana umugore wiwe aca arayigurisha. Gapenda abijanje muri sentare, urubanza rukaguma rusiba. Umugwi wahavuye ubijamwo urarukurikiranira hafi, urubanza rwahavuye rucika, uwari yarenganijwe ararenganurwa.

Bigiriwe I Gitega, ku wa 13/12/2022

Umukuru w'umurwi udasanzwe

Hon. NIBIRANTIJE Jean Marie